**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°3 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 05 NDAMUKIZA 2023

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 05 Ndamukiza 2023, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 22 Ntwarante n'irya 03 Ndamukiza 2023, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'ibwirizwa rishinga amahera Reta izokoresha mu mwaka w'2023 ushira uwa 2024,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere

Itegurwa ry'amahera Reta izokoresha mu mwaka w'2023 ushira uw'2024 ryisunga impinduka zabaye mw'ikoreshwa ry'amahera ya Reta aho muri iki gihe amahera ategekanywa habanje kwerekanwa ico agiye gukora.

Ryakozwe kandi mu gihe himirije kwemezwa igitabu cerekana ingene Uburundi buzoba bumeze mu mwaka w'2040 n'uw'2060.

Ico gitabu c'imbonerakazoza nico kizoba ic'ifatiro mu gutegura imigambi mu bijanye n'iterambere rirama.

Mu ntumbero yo gushika ku cipfuzo ca Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu y'uko « Umunwa wose uronke ico ufungura, umufuko wose ukaronka amafaranga », iyi nteguro

irategekanya uburyo butari buke, kugirango abenegihugu bazoronke umwavu ku buryo butavuna be n'imbuto zirobanuye.

Mu bisata vyashizwe imbere y'ibindi muri iyi nteguro y'uburyo buzokoreshwa mu mwaka w'2023 ushira uw'2024, harimwo nk'ibi bikurikira :

- Gushira mu ngiro wa mugambi wo kugabanya ubusumbasumbane mu mishahara yabakozi ba Reta ;
- Gutanga imizibukiro ku bo ibarabara ry'indarayi rizoba ryaciriye mu matongo ;
- Gusanura ikibuga c'indege mpuzamakungu citiriwe Merikiyori NDADAYE ;
- Kwubaka urugomero rwo kuvomera rwa  Kajeke ;
- Guteza imbere uburimyi n'ubworozi mu Kigo RUGOFARM co mu Cibitoke;
- Umugambi wo guteza imbere urwaruka no kugwiza akazi (PAEEJ);
- Umugambi wo guteza imbere iyororwa ry'inkwavu;
- Kwubaka ikigo gipima kikongera kikavura Kanseri.

Mu ntumbero yo kugwiza amahera yinjira mu kigega ca Reta, harategekanywa ingingo zitari nke. Kubw'ivyo, Ikigo kijejwe kwegeranya amakori n'amatagisi (OBR) kigiye gukora ibi bikurikira:

- Gushira inguvu mw'itoza ry'amatagisi ku bikorwa vyo mu gisata c'ubutare;
- Gushiraho ingingo nshasha zijanye no gutuza urudandaza rudaciye mu mategeko  mu kwegereza abenegihugu igisata kijejwe amakori;
- Kwubahiriza itegeko rijanye no kuronsa inyungu Reta aho isanzwe ifise imitahe;
- Gusubiramwo amategeko agenga ivyerekeye uturusho (exonérations);
- Kubandanya kurihisha ibirarane vy'amakori;
- Kwongereza ibikoresho bijanye no gutoza amakori nk'imashini nyabwonko muri Komisariya ijejwe ivyama duwane , hatibagiwe no gusubiramwo amategeko ;
- Gukomeza kurwanya ibiturire n'ukutariha ikori;
- Kugwiza uburyo bwofasha kwinjiza amafaranga menshi mu kigega ca Reta hisunzwe amategeko mashasha ajanye n'amakori hamwe n'amatagisi nyongeragaciro;
- Gukurikirana neza irihwa ry'itagisi nyongeragaciro;
- Gukwiragiza ubuhinga bwo kurihisha amafaranga hakoreshejwe ubuhinga ngurukanabumenyi;
- Gutanguza ubuhinga ngurukanabumenyi mu kumenyekanisha no kuriha amakori.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro y'amahera Reta izokoresha mu mwaka w'2023 ushira uw'2024, **yashikirije** ibi bikurikira:

- Iyi nteguro irakwiye gutunganywa ukundi gushasha hisunzwe intumbero nshasha y'uko uburyo butegekanywa habanje kwerekanwa umugambi bugenewe;
- Amahera y'inyungu ku mitahe Reta ifise mu mashirahamwe yose ategerezwa kwerekanwa neza nk'ayazinjira mu kigega ca Reta;
- Uburyo bukoreshwa n'ibisata vyegamiye Reta canke ibikoresha imitahe Reta yabihaye butegerezwa kuboneka mu mahera Reta itegekanya gukoresha.
- Ubushikiranganji bwose busabwa kubanza kwerekana imigambi busabira uburyo;

Hazoca hashingwa umurwi w'abahinga mu vy'ubutunzi uzotunganya iyo nteguro wisunze izo ntumbero, iheze yirwe mu nama idasanzwe y'abashikiranganji.

2. **Urwandiko rwerekeye ikigega Ibanki y'Isi Yose yipfuza gushinga mu ntumbero yo gutegura umugambi mushasha wo kugwiza akazi no guteza imbere ubutunzi,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Kw'igenekerezo rya 14 Ruhuhuma 2023, Ibanki y'Isi Yose yaratunganije inama yayihuje n'ishirahamwe ry'amabanki, urunani rw'amashirahamwe yo kuziganya no kuguranana, be n'Ikigega cishinga abanyamitahe bato bato « Fonds d'Impulsion, de Garantie et d'Accompagnement » FIGA mu mpfunyapfunyo.

Intumbero y'iyo nama kwari ukwereka abo bari bayitumiwemwo, ingene Ikigega kizoshigikira abikorera ivyabo ngaha mu Burundi Ibanki y'Isi Yose ishaka gushiraho, kizokora.

Muri rusangi, ico kigega ntikizoba gitandukanye cane n'ikigega FIGA mu kugene gikora.

Ibanki y'isi yose rero yashikiriza uburyo bubiri bushoboka :

Inzira ya mbere ni uko hogumaho ikigega FIGA conyene, ariko kigatunganywa ukundi, nko mu gushira mu rwego nshingwantwaro rwaco uwuserukira urunani rw'amashirahamwe yo kuziganya no kuguranana, be n'uwuserukira ishirahamwe ry'amabanki;

Inzira ya kabiri ni uko hojaho ikindi kigega hanyuma FIGA ikaba umunyamutahe ku rugero Reta yoba yipfuza.

Inama nshikiranganji yihweje izo nzira zose uko ari zibiri, yaciye ishinga ko **hogumaho Ikigega FIGA conyene, mu rwego nshingwantwaro hakajamwo abaserukira abo bikorera ivyabo.**

3. **Integuro y'ibwirizwa riringaniza ivyerekeye uguhanahana amakuru mu buhinga bwa none n'ibijanye n'amaposita,** yashikirijwe n'Umushikiranganji wo gutumatumanako amakuru, ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru n'ibimenyeshamakuru**.**

Iyi nteguro y'ibwirizwa igizwe kugira hashirwe mu ngiro intumbero ya Poritike y'igihugu yerekeye uguteza imbere ubuhinga bwa none bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru yemejwe n'Inama Nshikiranganji mu nama yayo yo ku wa 13 Mukakaro 2011.

Mu bijanye n'ukuroranya neza gusumba ivyerekeye poritike, amategeko hamwe n'ibijanye n'ugucungera ibijanye n'ubuhinga bwa none , Poritike y'igihugu yerekeye uguteza imbere ubuhinga bwa none bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru itegekanya ibi bikurikira:

- Gusubiramwo ibwirizwa ryerekeye ugutumatumanako amakuru hakoreshejwe ubuhinga bwa none ku rwego rw'akarere na mpuzamakungu;
- Gushiraho amategeko agenga igisata c'amaposita arekurira ababishoboye gukorera muri ico gisata n'ayagenga ibikorwa vyo muri ico gisata;
- Kwongereza imirimo y'Urwego ARCT hagashirwamwo uwo gucungera igisata c'amaposita no kwongereza ubwigenge bw'urwo Rwego bw'ukwitunganiriza ivy'intwaro n'ikigega kugira rube Urwego rucungera kandi rube ihuriro mu bijanye n'ugutumatumanako amakuru rwongere rwigenge.

Ku bijanye n'igisata c'amaposita, hariho ibiriko birahinduka bivuye cane cane kw'iterambere ry'ubuhinga bwa none, kw'igwirirana ry'ibisata bishasha vy'amaposita hamwe n'umuzo w'amashirahamwe y'abikorera utwabo akorera muri ico gisata ariko ata rwego ruyacungera.

Vyabonetse rero ko bikenewe gushiraho amategeko atuma hakurikiranwa neza ihiganwa ryisunze amategeko muri ico gisata.

Itegeko-bwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 4 Munyonyo 1997 ryerekeye ingingo zitunganya ivyerekeye ugutumatumanako amakuru biciye mu buhinga bwa none ntirigishoboye gutuma hakurikiranwa igisata kijejwe uguhanahana amakuru biciye mu buhinga bwa none kandi nta co ryategekanya ku gisata c'amaposita.
Ntaco rivuga nko ku bijanye n'ibibazo vy'uruhusha rumwe ku bikorwa vyinshi hamwe n'ingene izo mpusha zongerwa ibindi biringo igihe amasezerano y'intizo arangiye.

Mu gisata c'amaposita, Ibwirizwa ryo ku wa 10 Gitugutu 1962 ryerekeye ingene amaposita atwarwa, riha ububasha bwose bw'ikoreshwa ry'igisata c'amaposita ishirahamwe ryonyene ryamye ribikora kuva kera. Mu nyuma harabonetse amashirahamwe y'abikorera utwabo bakorera muri ico gisata.

Iyi nteguro y'ibwirizwa ije rero gutegekanya ingingo zerekeye ibisabwa kugira habe ikoreshwa ry'ibisata vy'uguhanahana amakuru biciye mu buhinga bwa none n'ibijanye n'amaposita.

Imvo nyamakuru rero zitumye iri bwirizwa riringaniza ivyerekeye uguhanahana amakuru mu buhinga bwa none n'ibijanye n'amaposita rishirwaho ni izi zikurikira :

- Ukuroranisha amabwirizwa, amategeko n'uburyo bw'ugucungera mu vyerekeye ihiganwa mu budandaji mu bisata bijejwe guhanahana amakuru mu buhinga bwa none hamwe n'ibijanye n'amaposita;
- Ukurekurira ababishoboye bose gukorera mu bijanye n'amaposita hamwe n'ugucungera ico gisata;
- Ugukurikirana ikoreshwa ry'ibisata bijejwe uguhanahana amakuru biciye mu buhinga bwa none n'ibijanye n'amaposita

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, mu vyo yasavye hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Mu mvo n'imwano, kwerekana neza igituma iyi nteguro iba ibwirizwa;
- Gukura muri iyi nteguro ibijanye n'uko Posita ikora nk'ibanki, hagasigaramwo ibijanye no guhanahana amakuru n'amakete ;
- Gukura muri iyi nteguro ibijanye n'ibihano bikaja mu gitabu mpanavyaha ;
- Aho gutegekanya ishingwa ry'ikigega kizofasha mw'ikwiragizwa ry'ikoreshwa ry'amaposita kuri bose, kuvuga gusa ko Reta izokworohereza ico gisata;
- Gusuzuma neza ko iri bwirizwa rishiramwo ibikenewe vyose nk'ibijanye no gukwiragiza ikoreshwa ry'ubuhinga ngurukanabumenyi mu bisata vyose, kubika ibanga no kutandagaza ibiranga umuntu ;
- Kuraba ko iri bwirizwa ataho ryoba ryinjiranamwo n'ibwirizwa rihana ubugizi bwa nabi buca mu buhinga ngurukanabumenyi.

4. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano yo gufashanya hagati y'ibisata bijejwe ibirere mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe imigabo n'imigambi y'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko, urwaruka, inkino n'imico kama.

Ishirwaho ry'ayo masezerano ryemejwe n'inama igira cumi na gatandatu isanzwe y'Abakuru b'Ibihugu bigize ishirahamwe ryo muri Afrika y'Ubuseruko yabaye kw'igenekerezo rya 20 Ruhuhuma 2015.
Mu nama igira cumi n'indwi yabaye muri Ntwarante 2016, abo bakuru b'ibihugu basavye ibihugu vyose bigize iryo shirahamwe kunyarutsa kwemeza aya masezerano. Uburundi bwashize umukono kuri ayo masezerano mu mwaka w'2016.

Intumbero y'ayo masezerano ni ugukomeza gufashanya mu kwegeranya no guhanahana amakuru n'ibiharuro ku bijanye n'ibirere.

Ugufashanya ku bihugu bigize uwo muryango bizofasha kumenya ingene ikirere kimeze muri iki gice ca Afrika, gurtyo bifashe kwitegurira ihinduka ry'ico kirere.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje.**

5. **Urwandiko rwerekana ingene ibikorwa vyo kwubaka urugomero rw'umuyagankuba KABU 16 (20 MW) biriko biragenda**, rwashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Urwo rwandiko rurerekana ikibazo kiri mw'irangurwa ry'uwo mugambi.

Ishirahamwe Angelique International Limited ririko rishira mu ngiro uwo mugambi ryaranse kuzana ibikoresho bisigaye rikisigura rivuga ko abo basanzwe bakorana banse kubirungika ngo ibiciro vyavyo bidasubiwemwo.

Ukwo kwanka kuzana ivyo bikoresho bizogira ingaruka mbi, kuko uwo mugambi wari wategekanijwe kurangira kw'igenekerezo rya 31 Ntwarante 2023 waciye ucererwa.

Ikindi naco ni uko Exim Bank yo mu gihugu c'Ubuhindi yatanze uburyo yahagaritse kuriha iryo shirahamwe, kuko habaye ugucererwa kuriha ideni n'inyungu ku ruhande rwa Reta y'Uburundi.

Urwo rwandiko rusaba ko Reta yoriha ibirarane vy'ideni ifise, kugirango Exim Bank yo mu gihugu c'Ubuhindi nayo irihe iryo shirahamwe.
Urwo rwandiko rusaba kandi kwihweza ko ivyo ishirahamwe Angelique International Limited risaba bifise ishingiro, hanyuma ingingo zibereye zifatwe.

Birakenewe kandi guca hirya no hino neza ibiri mu masezerano, kugirango bikurikizwe nk'uko vyumvikanyweko.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza ibiri muri urwo rwandiko, **yashikirije** ibi bikurikira:

- Gusaba Exim Bank yo mu Buhindi ikiringo ciyongera ku cari gitegekanijwe mu bijanye n'irihwa ry'ideni, ivyobisigura navyo bikaba ari uko :
    - Mu gihe ideni ryasabwa icari cumvikanyweko kwari uko ideni ryotangura kurihwa ari uko urwo rugomero rutanguye gutanga umuyagankuba
    - Ikiza ca Covid-19 caratumye ibikorwa bitabandanya nk'uko vyari vyategekanijwe;
    - Ideni ntiryotangura kurihwa kandi ritaratangwa ryose.

- Gusaba Exim Bank yo mu Buhindi uburyo bwo guheraheza ibikorwa bisigaye no gutanga amahera y'ideni rya mbere iyo Banki yabangiriye gutanga;
- Kurondera ishirahamwe ribishoboye ryocungera ibikorwa kugirango ryihweze neza ko ivyo ishirahamwe ririko rirubaka urwo rugomero risaba bifise ishingiro;
- Kugirango uburyo bwoba bukenewe ku bikorwa bisigaye bugabanuke, ibikorwa bijanye no gusiga kaburimbo mw'ibarabara rishika kuri urwo rugomero vyoba birabangira;
- Guca mu nzira zose zishoboka kugirango ibikoresho vyaguzwe mu gihugu c'Ubuhindi bishike ngaha mu gihugu ;
- Gukora ibishoboka vyose kugirango urwo rugomero ruhere kwubakwa vuba.

6. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano yo kutarishishisha amahera y'uruhusha rwo kwinjira mu bihugu vy'Uburundi na Lao ku benegihigu b'ivyo bihugu bafise ibitabu vy'inzira vy'icubahiro canke vy'akazi,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu no gufashanya mw'iterambere.

Mu ntumbero yo gukomeza ubucuti no gufashanya hagati y'Uburundi n'igihugu ca Lao, haratewe umukono ku masezerano yo kutarishishisha amahera ry'uruhusha rwo kwinjira mu bihugu vy'Uburundi na Lao ku benegihigu b'ivyo bihugu bafise ibitabu vy'inzira vy'icubahiro canke vy'akazi kw'igenekerezo rya 28 Munyonyo 2022.

Ayo masezerano yashizweko umukono inyuma y'igihe gito ivyo bihugu vyunze imigenderanire. Aje mu ntumbero yo gukomeza ubucuti no kworosha uruja n'uruza muri ivyo bihugu ku benegihugu bavyo bafise ibitabu vy'inzira vy'icubahiro n'ivyakazi, hubahirijwe ubungane no gusubirizanya mu nkoko.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yasanze hakwiye kubanza kwemezwa amasezerano makuru (accord général de coopération) hagati y'ivyo bihugu bibiri, ayandi yose yoza ayakomokako, ica irabangira kwemeza iyo nteguro.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 06 Ndamukiza 2023

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE